# Uruhusha rusangi rwo kwamamaza no gukwiragiza inkuru

Muvyeyi/Murézi

Ndagusavye uruhusha rwo kwemerera ishure/Igisáta c'Indero kwamamaza hamwe/canke gukwiragiza inkuru ku vyerekeye umwâna wawe mu ntumbero yo kubwira abandi uko yifata ari kumwe n'abandi banyeshure, kumeyesha ishure n'ikibano cagutse ivyerekeye ishure n'ibikorwa vy'umunyeshure n'ukumenyesha uko yitaho imigambi n'ibikorwa vy'ikibano.

Iyi nkuru ishobora kubamwo amazina y'umwana, imyaka yiwe, ishure n'inkuru zatororokanijwe kw'ishure nk'amafoto, amajwi n'utureresi twerekana ibikorwa n'ivyiyumviro vy'umwâna wawe nk'ibiganiro.

Imbúga/Ibigó ntororokanyamakuru inkuru zerekeye umwâna wawe zishobora gukwiragizwako ni nk'izi:

- Imihōra ngurukanabumenyi y'Íbisáta vy'Indero harimwó n'umuhora w'ishure, Umuhora ugenewe Abakozi gusa b'Igisata, Imbúga n'iminyuramakuru
- Inzāndiko z'Igisata c'Indero nk'Ikinyamakuru c'Ishure, harimwo ikinyamakuru n'Icegeranyo c'Ishure ku Mwaka. Ivyanditswe bisohówe canke murávyo mpayagizabikorwa harimwo n'Imbuga ngurukanabumenyi z'Igisata
- Ikigo kīzwí hamwe n'imbuga mpuzashengero ku Mihora nka Yutube, Fesebuku na Twiteri
- Ibimenyeshamakuru n'Inzandiko za hafi n'izo akarere, n'iyindi minyúro.

Abavyeyi bomenya ko mu gihe inkuru imenyeshejwe ku mbuga ngurukanabumenyi n'amatororokanirizo y'amakuru vya Reta, bishobora kuguma bibonwa ku murongo kumara imyaka, canke bikagumahó. Inkurú zimenyeshejwe zishobora n'ukumenyeshwa abandi bantu.

Igore wuzuze Urwandiko rw'Ugutanga uruhusha ururungikire ishure bukeye:

Date for return of permission form

**Ugufashwa mu Nsobanuro**

Asangwa ukeneye ayandi makuru, igore uvugáne n'ishure.

Asangwa ukeneye gufashwa mw'isobanurandimi mu kuvugana n'ishure, igore uhamagare ku nomero 131 450, ubwire umuhinga ururimi ukeneye maze umusabe ahamágare kw'Ishure. Azokuronkera uwugufasha mu nsóbānuro. Ntuzoriha.

Turakwikebanuye túnagushimira

Amazina y'Umuyobozi (Name of principal)

Izina ry'Ishure (Name of school)

## Uruhusha rw'Umuvyeyi/rw'umurezi rw'Ukwemera Iyamazamakuru
## Parent/carer permission to publish consent

Nasomye runo rwandiko runsaba gutanga uruhusha rw'ihamamakuru:

(Shira akamenyetso mu cumba kimwe muri bibiri bikurikira ikindi ukireke)

☐ Ndahaye uruhusha ishure/Igisáta c'Indero rwo kwamamaza inkuru zerekeye umwâna wanje nk'uko vyadondowe aho haruguru, hárimwó n'amakuru ashikira abāntu böse.
I give permission to the school/Department of Education to publish information about my child as described above, including in publicly accessible communications.

☐ Simpaye uruhusha Ishure/Igisáta c'Indero rwo kwamamaza inkuru zerekeye umwâna wanje nk'uko vyadondowe aho haruguru, hárimwó n'amakuru ashikira abāntu böse.
I do not give permission to the school/Department of Education to publish information about my child as described above, including in publicly accessible communications.

Urwo rushusha nteyeko igikúmu ruzokoreshwa uko kugeza nivuguruje.

Amazina y'Umwana ______________________________
Name of child

Amazina y'Umuvyeyi ______________________________
Name of parent/carer

Igikúmu c'umuvyeyi/c'umurezi ______________________________
Signature of parent/carer

Igenekerezo ____________________
Date